INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE
CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE
SECRÉTARIAT GÉNÉRAL
BP 413 GITEGA

IJAMBO RYAPFUNDITSWE N'IKORANIRO RIGIRA GATANU RY'INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE

Gitega, 12-14 Ruheshi 2003-06-13

Intangamarara

Ikoraniro rigira gatanu ry'Inama Nkuru y'Abashingantahe ryarakoranye ku magenekerezo ya 12, 13 na 14 Ruheshi 2003 mu nyubakwa za Centre Thérésien ku Mushasha wa Gitega. Ijambo iryo koraniro ryashitseko rigizwe n'ibice bine :

i) Ingene urwego rw'Abashingantahe rwifashe mu ntara zose z'Uburundi,
ii) Ingorane n'ivyipfuzo,
iii) Ingingo nshasha,
iv) Ijambo rishikirijwe Uburundi n'amakungu.

I. INGENE URWEGO RW'ABASHINGANTAHE RWIFASHE MU NTARA Z'UBURUNDI

1. Urwego rw'Abashingantahe rwifashe neza mu ntara z'Uburundi, n'aho nyene umutekano muke urangwa ahatari hake mu gihugu, iyo ikaba ari intambamyi ikomeye igeramiye imirimo yo kunagura intahe.

2. Mu gihugu cose, Abashingantahe n'Abapfasoni baraca imanza ukuri kwamye kandi na Sentare zikabishima. Imanza zishika mu masentare y'intango zitera zigabanuka.

3. Abashingantahe n'Abapfasoni barakira neza Abarundi bariko barahunguka kandi barafasha abahunguka, abateshejwe izabo n'abasigaye mu mihana iwabo guhuza imitima.

4. Abashingantahe n'Abapfasoni, ubu barasasa hamwe, bagatunganiriza ababituye.

5. Inama z'Abashingantahe n'Abapfasoni ziragirwa ku mitumba, mu makomine no mu ntara nyene kandi ivyegeranyo vyose birashikira Inama Nkuru y'Abashingantahe.

6. Abanyerera ku ntahe barahanurwa, bakagabishwa, binaniranye bagahagarikwa. Ariko rero, abatururwa ntiboba bacitura izindi nzego. Boshikiriza ivyipfuzo vyabo mu Nama y'Abashingantahe ku rwego rwa komine. Inama Nkuru y'Abashingantahe irasavye Leta kwamiza ku mutima ko urwego rw'Abashingantahe rwigenga,

7. N'aho nyene mu makomine amwe amwe hakiri amahinyu, abajejwe intwaro barafashanya

rwose n'urwego rw'Abashingantahe kandi abakozi ba Leta n'abandi banyamishahara barijukiye umugenzo wo kwatirwa.

8. Umugenzo wo kwatira waranagutse mu ntara zose z'Uburundi, no mu bisagara nyene. Kuva mu mwaka w'2001, igitigiri c'abatiwe hadakurikijwe imigenzo kama y'Abarundi ciyongereye icumi kw'ijana. Ni ukuvuga ko Abashingantahe n'Abapfasoni bose hamwe ubu bababa ibihumbi mirongo indwi na bine n'amajana umunani (74.800). Inama Nkuru y'Abashingantahe irashima intambwe igezweko, igasaba ko abatirwa bogenzurwa cane kandi bakigishwa, kuko ata ntumbero y'ukurondera ingwizamurongo iriho.

9. Umusi Mukuru w'Intahe wagenze neza mu ntara zose mu kwezi kwa Ruhuhuma 2003. Inama Nkuru y'Abashingantahe irashimiye icese abajejwe intwaro (Ba Buramatari, ba Musitanteri ...) ku mwete berekanye mu gufata mu mugongo urwego rw'Abashingantahe mu makomine. Irashimiye icese Leta y'Uburundi, amashirahamwe hamwe n'abantu bose batereye agacumu k'ubumwe kugira uwo musi mukuru ugende neza mu ntara ya Mwaro.

II. INTAMBAMYI / IVYIPFUZO

1. Hariho Abashingantahe bari mu nama ziserukira abandi, batukisha intahe, bagahemuka kandi bagatirimutsa n'abandi bipfuza kwatirwa. Bene abo barateruwa n'ababatiye mu ntara n'amakomine baturukamwo. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Abashingantahe baserukira abandi n'abatiwe bose guheba imigenzo mibi ituma urwego rw'Abashingantahe rutituka.

2. Hariho Abashingantahe baharitse. Inama Nkuru y'Abashingantahe yasavye ko amategeko yose y'igihugu yokwubahirizwa. Abaharitse bohagarikwa mu mabanga yabo, hisunzwe ingingo zimaze gufatwa.

3. Inama Nkuru y'Abahingantahe isavye Leta ko intwaro yokwîhatira kwubahiriza Intahe. Ntihagire izindi ngazi umuntu arinda gucako mu vyerekeye imanza z'imibano. Intahe yo ku mugina irikwiye. Mu gihe imanza zungurujwe, zoja muri Sentare z'intango zitarinze guca kwa Nyumbakumi, Chef de Secteur, Chef de zone canke Musitanteri. Vyotuma n'abanyagihugu biruhutsa, bakaruhuka ugutanga ibiturire kwimonogoje.

4. Ikibazo kijanye n'uburyo cagumye kigaruka. Harakenewe Ingoro z'intahe, ikimenyetso kiranga Abashingantahe, ukugwiza udutabu turimwo ingingo ngenderwako z'urwego rw'Abashingantahe, ukugwiza ururirimbo ruhayagiza intahe n'Abashingantahe ngo rumenywe na bose hamwe n'amikoro yofasha inama z'Abashingantahe kurangura imirimo bajejwe nk'ukwitaba inama, ukwandika ivyegeranyo n'ukubirungika, n'ibindi. Abarongoye umugambi w'ukunagura intahe batwaye ku mutima ico kibazo.

5. Abashingantahe n'Abapfasoni barakeneye inyigisho nyinshi zobafasha gutegera neza ibanga ryabo. Ibihe tugezemwo bikeneye abagumyabanga benshi. Izo nyigisho zoshimikira kw'ibanga ry'Abashingantahe, Amategeko agenga ingo n'imiryango hamwe n'Agateka ka zina muntu.

6. Kubera ko abasirikare babandanya basaba kwatirwa kandi ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi butabibarekurira, Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye ubwo bushikiranganii kubarekura, maze ababishaka bakatirwa nk'abandi Barundi bose.

7. Inama Nkuru y'Abashingantahe yashinze ko urwaruka ruzoronswa inyigisho zikwiye, maze rukitegura ibanga ry'Abashingantahe ruzi ico ari co.

III. INGINGO NSHASHA ZASHITSWEKO

1. Inama Nkuru y'Abashingantahe yashinze ko Abapfasoni bazoserukirwa mu nama zose: ku mitumba, mu makomine, mu ntara no mu Nama Nkuru y'Abashingantahe. Ibindi bibazo vyose bîraje ishinga abakenyezi bizoheza vyigirwe hamwe n'Abashingantahe bari muri izo nama. Ku mitumba, hazotorwa Abapfasoni batanu. Ku rwego rwa Komine, Abapfasoni batanu nyene, Ku rwego rw'intara hazotorwa igitigiri c'Abapfasoni kingana n'amakomine agize intara. Mu Nama Nkuru y'Igihugu, hazokwinjiramwo Abapfasoni 17 baserukira intara zose z'Uburundi n'abandi batatu bazotorwa mu Bapfasoni basanzwe bari mu rwego rw'Abashingantahe kandi baserukira amashirahamwe y'abakenyezi. Bose hamwe bazoba mirongo ibiri. Iyi ngingo izoba yashizwe mu ngiro imbere y'ukwezi kwa Nyakanga muri uno mwaka w'2003. Ikoraniro rizokwirikira rizoba ririmwo n'Abapfasoni.

2. Inama Nkuru y'Abashingantahe yashinze ko abakenyezi bazohora bashikirizwa icese ibanga ry'Abapfasoni. Imigirwa yaratomowe kandi igiye kumenyeshwa igihugu cose yongere ikurikizwe

IV . IJAMBO RISHIKIRIJWE UBURUNDI N'AMAKUNGU

Itangazo n° 8

Inama Nkuru y'Abashingantahe yaboneyeho akaryo ko gushikiriza Uburundi n'amakungu ijambo ry'impanuro rijanye n'amananiza Uburundi bukirimwo.

1. Inama Nkuru y'Abashingantahe irababajwe rwose n'umutekano ukiri kure nk'ukwezi hamwe n'ibiganiro bisa n'uguterana ikidashika. Abanyagihugu mu ntara zose barara rubunda; barasahurwa, baricwa, baraburabuzwa.

2. Kubera ivyo, Inama Nkuru y'Abashingantahe irasubiriye gusemerera, isaba àbarwanyi bose kugira impuhwe, bibuke na bo nyene ko abantu baremwe n'Imana kandi bakwiye kurwanira ubuzima bw'abantu nka bo hamwe n'ibidukikije.

3. Inama Nkuru y'Abashingantahe ibabwiye iti : Mwebwe mwese murwanira ubutegetsi, cane cane mwebwe mwanka n'ugutumbera ijambo, ni murwanire ubutegetsi mutarinze gutuntuza abanyagihugu. Igihugu ni ica twese, ni tukirwanire, tugikingire akabi, ntituzorage abacu umusaka.

4. Inama Nkuru y'abashingantahe irateye akamo abatarahunguka bose kugaruka, kugira ngo bafashanye n'abandi kwubaka igihugu cacu.

5. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Leta gushira imbere uguhagarika indwano imaze imyaka icumi yose. Ibindi bibazo, nk'amatora, vyokwitonderwa neza, n'abanyagihugu bakamenya iyo bitera bija. Ivyerekeye ukwiyamamaza vyotomorwa kare, ahandi ho twohava twibuka kuyora twasheshe. Iyi mpanuro irahambaye kuko burya,igiti nticogukora mu jisho kabiri. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Leta kwitwararika rwose ibibazo vy'umutekano, ubutungane n'ugutahukana impunzi n'abateshejwe izabo.

6. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Leta kunoganza ikibazo c'ukwiyamamaza. Ivyo imigambwe yemewe n'amategeko canke imihari itaremererwa vyatanguye gukorera mu kinyegero bihagarikwe kugira ngo ntibishushe imitwe abanyagihugu bahanzwe n'ubukene n'intambara.

7. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Abashingantahe n'Abapfasoni kuguma kw'ibanga, baremeshe imibano bahererereyemwo, bame ari ijisho ryUburundi.ants de

8. Mu gusozera, Inama Nkuru y'Abashingantahe yemereye Leta ko itazohengeshanya gushikira impanuro zubaka mu gihe cose bizokenerwa. Isavye ko na Leta nyene îtokwihereranya ibibazo bikomeye, bijanye n'ugutunganya neza ubuzima bw'igihugu.

Vyandikiwe i Gitega, ku wa 13/612003

Adriano NTABONA
Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

Paolo MVUKIYE
Icegera c'Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

Zeno MANIRAKIZA
Icegera c'Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

Casiano SIMBARE
Umunyamabanga Mukuru W'Inama Nkuru y'Abashingantahe

*Résumé:*Troisième session du Conseil national des Bashingantahe

L'institution des Bashingantahe se porte bien à travers tout le pays; ses membres s'occupent de leurs devoirs. Néanmoins quelques problèmes subsistent ici et là notamment la mauvaise conduite de certains membres de l'institution, le manque de moyens matériels….Le conseil des Bashingantahe se propose d'intégrer totalement les femmes dans cette institution et procédera même à l'investiture de ces dernières.

Dans un message adressé à la communauté nationale et internationale, le conseil se dit préoccupé de la détérioration de la sécurité dans le pays et demande aux belligérants de déposer les armes. Il souhaite voir les réfugiés renter dans leur patrie

Mots-clés : Burundi ; communauté internationale ;déplacés intérieurs, guerre, gouvernement, justice, réfugiés, sécurité